DISCOURS DU PRESIDENT DE LA CNIDH LORS DE L'OUVERTURE DE L'ATELIER D'ECHANGE SUR '' LE ROLE DE LA CNIDH DANS LA PROTECTION DES DROITS DE L'HOMME FACE A LA VIOLENCE POLITIQUE ET AUX ENJEUX SECURITAIRES'' TENU A KABEZI LE 10 NOVEMBRE 2015.

Nyakubahwa Waserukiye Bulamatari w'Intara ya Bujumbura

Nyakubahwa Musitanteri wa Komine Kabezi

Banyakubahwa ba Musitanteri b'ama komine ya Bujumbura na Bujumbura Mairie muri ngaha,

Nyakubahwa waserukiye ishirahamwe rya Amerika ry'ugufashanya n'ayandi makungu USAID

Banyakubahwa mwaserukiye inzego z'umutekano muri ayo ma komine yose tuvuze

Banyakubahwa mwese murongoye amazone n'imitumba biri muri ayo ma komine tuvuze,

Banyakubahwa mwese mwaserukiye abarongoye abandi mu vy'ukwemera,

Banyakubahwa mwaserukiye amashirahamwe adaharanira ivya polititike

Rwaruka mwese mwaserukiye abandi muri uru ruganda

Banyakubahwa mwese, Bakomiseri n'abakozi dusangiye imirimo mu Mugwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu.

Tugire amahoro, umutekano, iterambere n'agateka ka zina muntu kuri bose.

Kw'izina ry'Umurwi CNIDH ndongoye, hamwe no kw'izina ryanje nyene, nashaka kubaha ikaze muri iki kibanza umurwi CNIDH wateguye, ufadikanije n'abo dusanzwe dufashanya, na cane cane ishirahamwe USAID n'abarongoye intara ya Bujumbura, kugira dushobore kwicara tuganire, twibaze, duhanahane ivyiyumviro, dutereze amaso inyuma n'imbere, dufate icirwa ku vyabaye n'ivyo tubona bikomeje kuba, tuje inama kugira turabe ingene

agateka ka zina muntu n'umutekano vyifashe muri iki gihe, aho duherereye, aho tuba, mubo tujejwe, maze turabire hamwe icokorwa kugira ibintu bishobore kumera neza.

Uru ruganda mwatumiwemwo ruje rukwirikira urundi nk'uru rwabereye mu Gatumba kw'igenekerezo rya 22 Nyakanga 2015.

Nk'uko mubizi, imyiyerekano yo kwiyamiriza ko Umukuru w'Igihugu cacu c'Uburundi asubira kwitoza, yatanguye ku wa 26 Ndamukiza 2015, hamwe n'ivyakurikiye, aha twovuga nk'ugushaka gutembagaza ubutegetsi kwabaye ku wa 13 Rusama 2015, abantu bagiye bahagarikwa, bagapfungwa kubera uruhara boba baragize mu guhungabanya umutekano canke mu bindi vyaha vyakorewe muri iyo myiyerekano n'inyuma yayo, hamwe rero n'abahungiye mu bindi bice vy'igihugu canke hanze y'igihugu kubera ibihuha n'ubwoba ku bijanye n'umutekano wabo canke w'igihugu. Ivyo vyose rero vyaragize ingaruka mbi cane ku bijanye n'agateka ka zina muntu, harimwo abantu bahasize ubuzima canke bagakomereka, abatuririwe canke bakanyagwa ivyabo, ababuragijwe mu burenganzira bawo bw'ukwishira n'ukwizana, uburenganzira bw'abana bwo kuja ku mashure, ukudasinzikarizwa ubuzima, uburenganzira bw'ukwiregura iyo wagirijwe icaha, n'ibindi.

Tukaba kandi dukomeje kubona inyifato y'abantu batari bake, ituma umutekano utagaruka, kandi n'agateka ka muntu katubahirizwa. Tukaba tuboneyeho akaryo ko gusaba dushimitse ko abo bose rero bahungabanya umutekano, bahohotera abandi canke bakabaka ubuzima, ico babikurako cose, turabasavye dushimitse ko bogeza aho.

Umurwi CNIDH ukifuza rero ko inama nk'iyi yoba akaryo ko kwibukanya uruhara runini mwebwe murongoye abandi mufise n'ivyo mujejwe mu mabanga yanyu mu vyerekeye kubungabunga umutekano w'igihugu n'uw'umuntu wese hamwe no gusonera, gukingira no kurwanira agateka ka zina muntu, mukarondera inyishu zikenewe kw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu riba ryibonekeje.

Twabatumiye tuzi ico mushoboye kandi tubizigiye ko hari ikintu kinini mushoboye gushikako kugira igihugu cacu cogorore, gisubire gutotahara mu vyerekeye umutekano no gusonera agateka ka zina muntu, ryo shingiro

ry'amahoro n'iterambere kuri bose.

Twabatumiye rero kubera tuzi ko mushikira kandi mwumvirwa n'abo murongoye, kandi mufise ishaka ryo guteza imbere akarere muherereyemwo. Twabatumiye kandi kubera tuzi ko mushoboye gotorera inyishu ingorane ziriho na burya muzi neza ingene ibintu vyagenze, icabitumye, inyifato yaranze abo murongoye kandi ko mufise ivyiyumviro vyiza bitomoye mwoterera kugira ntidukomeze kurwa mu kajagari n'iyindi mitego ituma tubura abacu n'ivyacu, tugasubira inyuma nk'ibirenge kandi twese tubona neza iyo igihugu gikeneye kuja, kigana ineza kuri bose.

Twabatumiye rero kugira mudufashe kwihweza ingorane zose ziriho mu vyerekeye umutekano n'agateka ka zina muntu na cane cane mudufashe kwihweza ivyokorwa kugira dushobore gutorera inyishu ibibazo vyose bituma umutekano n'agateka ka zina muntu bitosekara mu Burundi.

Bashingatahe, Bapfasoni, Rwaruka, Batumire bahire,

Twizeye ko muri iyi nama muja guserura ikiri ku mutima mutarya umunwa, mudomako urutoke ku ngorane zose zerekeye umutekano n'agateka ka zina muntu, maze tukavugana ibintu uko biri n'ingene bikwiye kumera.

Twizeye kandi ko ivyiyumviro bija gushikirizwa ngaha muzoheza namwe mukabigemurira abo murongoye canke mwaserukiye, mbere bikazobafasha gutorera inyishi ibibazo vyosubira kwaduka aho muherereye mbere n'ahandi.

Twizeye kandi na twebwe abo muri CNIDH ko ivyiyumviro tuja gukura ngaha bizodufasha mu kumenya ivyo twokora neza kurusha kugira duterere Leta n'abarundi bose mu vyerekeye gutsimbataza umutekano, guteza imbere no gukingira agateka ka zina muntu, gutyo igihugu gitere kija imbere.

Nkaba ndabifurije rero ikiganiro ciza, kiryoshe kandi cubaka no kuroranirwa igihe cose muzoba muri muri iyi nama n'iyo mwaje muva.

Sinoheraheza iri jambo ntakengurukiye cane ishirahamwe USAID yaturonkeje uburyo bujanye n'izi nama.

Nkaba nkengurukiye kandi Uwaserukiye Bulamatari w'intara ya Bujumbura

yifatikanije na twe akaza gutanguza iyi nama,

Ndakengurukiye kandi na Komine Kabezi yemeye ko iyi nama ibera ngaha iwabo.
Ndakengurukiye cane na mwebwe mwese mwitavye iyi nama.

Ni harambe umutekano, amahoro no gusonera agateka ka zina muntu mu Burundi no kw'isi yose.

Imana ibahezagire mwese
Murakoze.